0098900022

Reçu CLT / CIH / ITH
Le 20 NOV. 2013
N° .....

UNITE · TRAVAIL · PROGRES

UNESCO
Organisation
des Nations Unies
pour l'éducation,
la science et la culture

JAPAN
Official Development Assistance

EXTRACT

IMICO N'IMIGENZO NDANGABURUNDI N'ABAYITIRIRWA ICEGERANYO C'IVYATOHOJWE

LES MOEURS ET COUTUMES DU BURUNDI
Inventaire du patrimoine culturel immatériel du Burundi

Bujumbura, Mukakaro 2009
juillet

e) Aho uwo muco urangwa: Mu ntara ya Gitega, ikomine ya Buraza, izone ya Buraza ku mutumba wa Mahonda.

23° Abatimbo bo mu Mana za Mugera. Kuvuza ingoma

a) Kudondora umuco: Ku mutumba wa Rutonde hamwe ngo hari abatimbo kuva kera zavuzwa nabo mu muryango w'abashubi. Bagiye barazi hanahana, ngo zigatandukana n'izavuzwa i bwami . Za ngo zari iz'I Gishora, i Higiro no mu Kibasi. Abato batimbo b'i Mugera ni abo kukirimba ca Mugera, mu mana za Mugera.

Kugirango ingoma ziboneke, baragenda mw'ishamba, bakicira imivugangoma canke imikuyo, bakayiringanirizamwo ibigegene. Bagafata rero ibirimyo bakimbagura vyabigegene, bagaca babaza kurya babaza isekuro. Bahejeje guca amabere (canke imikondo), barafata insato bagatangura gukana za ngoma.
Uwo muco witwa «kuvuza ingoma». Uri mu mugwi w'ubuhinga bw'ukugira ibikino.
Ingoma zari kubiri : Izo kuvuza; Izo kuvuza ziri gutatu : inkiranya, intimbo, ishāko
Izindi zari ibiterekerwa.

Izindi ngoma zitari izo mu Mana za Mugera zavugirizwa umwami gusa. Izavuzwa i Muramvya zava mw'Ihigiro i Gitega, i Makebuko, i Burunga, mu Gishora, i Taba na Mbogora. Ariko hariho n'izakanwa n'Abanyuka b'i Ninga, uwo ukaba umutumba wo muri Banga, komine Matongo, intara ya Kayanza. Ingoma zakanwa mu nshato z'inka zikuze, zikabazwa mu mivugangoma.

b) Ibiranga uwo muco: Ingoma ni ibicurarangisho kama vy'Abarundi, ariko zavugirizwa gusa umwami w'Uburundi, abandi Barundi bakazumviraho. Hariho imiryango yari ikomeye muri ivyo vyo gukana no kuvuza ingoma. Ni nk'Abanyuka n'Abashubi. Ibikoresho bijana ni ibiti vy'imivugangoma ,n'imihororo imikuyo canke imisave, inshato z'inka zikuze, amashoka, ibirimyo vyo kwimba ingoma, ibirabo (n'ukuvuga ibishishwa vy'imimanda vyo kuzitera amabara). I kigega baciye n'amabere bagaca barenzako urusato arirwo bita « icāhi ».

Mukuja kw'icira igiti kizobazwamwo ingoma, bagenda bikoreye izindi zikagenda ziravuga, bakicira zivuga, bakabaza zivuga, gushika baheze gukana. Bavuga ko iyo muri abo batimbo harimwo uwufise umugore « ari inyuma » canke « arwaye umugongo », ivyo bigegene baca babisiga umwishwa kugira ntibirare. Hariho n'iyindi miti batashimye kutubwirra, ngo ni ibanga.

c) Abantu n'inzego uwo mwuga wega: Tubajije abo batimbo b'i Mugera, batubariye ko ingoma zatanguriye mu muryango w'Abashubi. Mugabo ubu ngo zivuzwa n'abo mu miryango yose. Ingoma zivuzwa n'abagabo, akaba ari nabo bazibaza .

Kuzindi ngoma hariho intara zimwe zimwe zizwi cane muri ivyo vyo kuvuza ingoma no kuzikana. Ni nko mw'Ihigiro, i Makebuko, i Burunga, mu Gishora, i Taba no mu Mbogora. Hakaba n'imiryango ikomeye mu vyo kubaza no kuvuza ingoma : Abanyuka, Abashubi. Ariko n'iyindi yarashobora kubikora. Abazivuza bitwa abatimbo, uwazivugirizwa yari umwami gusa. **Ariko ubu bazivugiriza uwuzishatse wese**

b) Ibiranga uwo muco

Nk'uko twamaze kubivuga, ubutobero bukoresha imiti myinshi nk'uko abatobero bo mu Bikingi i Nyarusange babitubariye kandi nka yose iracaboneka ku misozi. Nk'akarorero, ntibuhunwa tuwusanga ku Muhororo, agasakuza kava i Muzima, urusenga ubu rugurwa mw'isoko ariko kera insenga zarajishwa, iminyare iracariho, urusamure (intobo) ruracahari, amasekuro yose aracahangamye i Jugwe, mu Kibumbu n'i Magamba.
Ugutera ubutobero gukoresha imvugo isanzwe ariko kenshi usanga amajambo akoreshwa ari ayajanye n'iryo banga nyene, mbere n'imikomo ukayisangamwo kuko bayifata nk'ugutebura.
Abakondo baremera ko umwuga wabo ata kundi utoranwa atari ubwo buryo bwo kukwatira muri iryo banga ugacika umukondo nyene na ho ahandi uguma uri igisongerezi. Iryo banga ni akaranga ntawuvuga igihe ryahereye kuko kuva kuri ba sekuru na ba sekuruza b'Abakondo ngo iryo banga ryariho.

c) Abantu n'inzego uwo muco wega.

Abantu begwa n'ugutera ubutobero ni Abakondo hamwe n 'ibisongerezi. Abana babakurikira ntitwobashiramwo kuko ata bwenge baba baragira bwo kuzigama ibanga, hamwe rero n'abagore. Mu kuroba haba hariho Umukondo ajejwe umutumba agaheza akararika abandi, na yo mu kuwuraga umuntu baramwatira atanze inzoga nk'uko biba no mu yindi myuga mu kwatirwa. Abantu ba nyuma bazi uwo mwuga baracariho, aha twovuga nka SINDIMWO Léonidas w'aho mu Bikingi na NTAHONGENDERA Côme w'i Nyabihanga ku mutumba Kibogoye. Nta mashirahamwe ajejwe kwigisha ubwo buhinga ariho.

d) uwo muco uko wifashe ubu.

Amashirahamwe akingira ibidukikije arabangamiye uwo mwuga cane kuko awagiriza ko wonona ibidukikije mu kwica ifi ikivunga. Ariko abatera ubutobero bo, ariba batobero, bavuga ko ziraba hanyuma zigahembuka kubera amazi atagiyemwo iyo miti aca amanuka kuzihembura. Ikindi na co abatobero baridoga cane kubera abajejwe umutekano babatoteza bitwaza ngo bariko barakingira ibidukikije. Nta ntambamyi ziriho mu gusigurira abakiri bato uwo mwuga haba n'ingene bawuraga. Ugutera ubutobero kuba mu gihe ata mvura nyinshi iriho kubera ari ho uruzi ruba rwahotse na yo ahandi rwobatwara. Iyo miti irobeshwa irashobora kubandanya ibaho kuko imbuto zayo bakizifise kandi zibikika. Abantu bakora uwo mwuga bariho kandi baripfuza cane ko wobandanya kuko ariho bashobora kuronka akanyama, na yo ku vyerekeye iz'ibitungwa ngo ntibagishobora kuzigura. Ngo baranahakura udukaye tw'abana biga iyo barovye nyinshi. Basaba rero gushigikirwa.

e) Aho uwo muco urangwa

Ikomine ya Nyarusange.

33° Ugukana no kubaza ingoma

a) Ukudondora uwo muco

Ugukana ingoma, aho mu Rwesero, ni ubuhinga bwa kera kama bw'Abarundi kandi izina ry'Abakani ni iry'umuryango nk'uko twamaze kubivuga. Turetse ko bazikana, Abakani barazi kuzivuza; mbere barateye intambwe ku buryo batazivuza aha i Burundi gusa bashika no mu mahanga. Aha twomenyesha ko no kw'igenekerezo ry'itohoza abenshi bari bagiye kwurira indege baja kuvuza ingoma mu mahanga.

Ibigabiro vy'ingoma biri henshi: mu Gishora, mw'i Higiro, i Magamba, i Musave, i Banga, mu Buringa no mu Bwayi. Aho hose ingoma zahashitse zivuye mu Rwesero kuko niyo zamuka mu mvo n'imvano. Nk'uko n'ubu habaye umunsi mukuru mu gihugu ingoma zivuga na kera ingoma zavuzwa cane ku muganuro. Ikigabiro rero caba ic'ingoma canke ic'ibindi bintu ntigicanwa n'inkwi zikorotse begeraniriza iruhande.
Nta mugore avuza ingoma ngaho mu Rwesero kuko ngo zohava zisadagurika. Ku bijanye n'imiziro ni uko ata ngoma zica mw'irembo ririmwo umukobwa w'umukani kandi iyo umukobwa ari mu butinyanka ntiyegera aho bakanira ingoma kuko zoca zisadagurika.

b) Ibiranga uwo muco

Abakani mu gikorwa cabo ntibitaho imihamuro. Nta ndirimbo zagenewe ugukana ingoma ariko hariho ingoma imwe baguma bavugiriza aho bariko barazibarira bongera bakana, iyo bakavuga ngo ni yo izivyara.
Ikindi na co ngo aho bazikanira ngo barahanywera inzoga bakavuga ngo ni iya mwene igiti. Nta wovuga ko hariho ishirahamwe ryagenewe umuryango w'Abakani.
Ingoma z'Abakani bo mu Rwesero zibikwa i Kajenda ngo ni ho hari ingoro yazo. Ibintu biboneka bikenerwa kugira ngo ubwo buhinga buboneke ni imbugita, imbazo, ikirimyo, intwero tutibagiye urushato rw'inka y'ibuguma. Ibiti bibazwamwo ingoma ni umuvugangoma ariko kubera ko ivyo biti vyahonye ubu bakoresha umusave. Nta mvugo twovuga ko Abakani bo mu Rwesero biharije.

c) Abantu n'inzego uwo muco wega.

Ubwo buhinga bwega abantu bo mu muryango w'Abakani. Abo bantu babazwa uwo mwuga kuko ari bo bawutanguye kandi ababaza bakongera bagakana ingoma bo mu bindi bigabiro ntibitwa gutyo. Abagore ariko ntibengwa n'uwo mwuga.
Ku muganuro Abakani ntibatangwa ariko si bo bazana Rukinzo. Iyo ngoma yabazwa ikongera igakanwa n'Abakani b'i Magamba kandi yaravuga cane kurusha izindi. Ku muganuro, ingoma zahera isaha icumi na zibiri gushika isaha umunani zivuga.
Abandi bafise ibanga ryo gukana ingoma bose barirahuye ku Bakani bo mu Rwesero.

d) uwo muco ukowifashe ubu.

Ugukana ingoma ni kimwe kandi ukuzivuza ni ikindi. Ariko rero vyose birateye imbere. Iyo bazikanye birashika bakazigurisha canke bakazikora bazitumwe. Ukuzivuza no kuzitamba na kwo si agaseseshwa rumuri ko biteye imbere kuko n'ukujabuka zijabuka. Ariko rero intambamyi ntizibuze n'aho bimeze gurtyo: Ibiti zibazwamwo biri ku mushiro nayo ingoma zitari kavukire zituma zitituka kuko abakiri bato baca batambira ivyo bishasha, ariko intwaro iracashigikiye ingoma kavukire.
Kubw'Abakani, birakenewe cane ko hokwubakwa ikigabiro c'Abakani bwite kuko ngo ni bo batanguye ingoma kandi ngo birakenewe cane ko haba iratiro.

e) Aho uwo muco urangwa

ku mutumba wa Rwesero, agacimbiri Kidasha muri Komine Makebuko mu ntara ya Gitega, mu ntara kama ya Kirimiro y'ubumanuko